INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE
CONSEIL NATIONAL DES BASHINGANTAHE
SECRETARIAT NATIONAL
B.P. 1390 Bujumbura
BURUNDI

IJAMBO UMUSHINGANTAHE Padiri Adriano NTABONA YASHIKIRIJE UMUSI W'UGUTANGURA ICESE UKWATIRA ABASHINGANTAHE MU GISAGARA CA BUJUMBURA

Bashitsi bahire, bakunzi b'intahe mwaje ngo dusangire uru rubanza, w'ugutangura icese ukwatira abashingantahe mu gisagara ca Bujumbura

Bashingantahe mwamize akabuye k'abagabo,

Gira Amahoro !
Gira Amahoro, ashingiye ku ntahe

Kuva na kera na rindi abashingantahe bamye babumvye Uburundi.
Bakuzuriza abatase, bagahuza abantu n'abandi, bagafasha abanyagihugu kubana neza. Bakigorera abandi batabihemberwa, kandi batabisabwe n'intwaro. Babitumwe n'ibanga umuntu wese yemera, umusi yatirwa. Ni ukuvuga ukwishinga ineza ya bose, kw'izina ry'intahe.

Mu nyuma, kuva ku ngoma iganje iyindi, ubushingantahe bwaragiye burata agaciro, gushika hamwe aya magume, asanga bariho batariho. Hamwe n'abandi Barundi, baramera nk'umupfumu apfanywe n'umuntu.

Ariko mu manama yose y'ukurondera amahoro, abantu bakama bataka batakamba, bati : garukana abashingantahe.

Icambere twahereyeko lero, kwabaye ugutohoza, ngo tumenye abo bashingantahe abo ari bo, ntitubitiranye n'abaza baritwa iryo zina, kandi batatiwe, ku kubera agateka karimwo. Turabifashwamwo n'Ibiro ry'Inama Mpuzamakungu Birondera Iterambere (PNUD). Ico gikorwa kiratungana. Dusanga ku mitumba yose y'Uburundi, abashingantahe, n'ubu barahagarariye intahe. Baca baributsa mbere bati : «Uzoshaka kunagura intahe wese, amenye ko rwamye ari urwego rwigenga, imbere y'Imana n'abantu ».

Duhera ngaho lero. Vya biro vya PNUD birasaba imfashanyo mw'ishirahamwe ry'abanyabulaya. Turatangura vy'ukuri uyu mugambi w'ukunagura intahe. Mboneyeho gushimira abo bose babidufashamwo.

Aho i Bujumbura ariko, twasanze abashingantahe bari ku rushi. Ni ko kwiyumvira lero gutangura icese, ukwatira aha mu gisagara naho. Hanyuma babigirire mu mazoni no mu ma karitiye, iyo abantu baba, nk'uko vyamye na mbere hose.

Ico turondera lero, ni kugarukana imigenzo myiza, yari ishingiye ku ntahe ukubana neza mu rugo, mu mubano, mu gihugu cose, biciye mu butungane n'ukuri. Turondera abantu bishinga ukuri, ubutungane n'umubano mwiza ahantu hose bari. Ntiturondera intahe y'ibishobisho, kugira ngo gusa umuntu yitwe iryo zina, atarigendera. Ni co gituma ababisavye, babisabiye mu mazoni aho baba bazwi, bakemera ko inama y'abashingantahe mw' izoni, babamwo, ibagenzura. Kuko ga turamaze gutunganya amatora y'abashingantahe, kuva ku mutumba wa Rusansuma gushika ku nama nkuru y'abashingantahe mu Burundi bwose. Ayo matora yabaye mu mutekano ubereye intahe nyene : umaze kurengera aya matati y'amoko yatumugaje.

Ubu lero turi n'ingingo ngenderwako z'urwego rw'abashingantahe, zemejwe n'inama nkuru y'abashingantahe. Izo ni zo dukurikiza no mu kwatira. Muri izo ngingo, handitswe ko abaranguye amabanga y'igihugu, baronse umwanya w'ukugira igihugu kibihweze. Ni co gituma baheza bagasasira intahe, batabanje guca ku ntambwe y'umukungu w'inyuma n'uwo imbere. Na kera ni ko vyari bimeze ku bakuriye i bukuru.

Ni haba hari uwoba afise akangononongono kuri umwe umwe, ni abangire. Ngo nta nyambo ibura agahonzi. Bigoro aragororokera abantu, ariko ntabura uwo agoramira. Rorera muzobona ko intahe izogorora akari kakigoramye muri umwe umwe. Kandi aboba bagifise amazinda, bamenye ko ibihano vyategekanijwe n'ingingo ngenderwako zurwego rw'abashingantahe, hagize utirimuka kw'ibanga. Ntihagire ugira impungenge lero. Kibe igihe mbere c'ugutegura kurekuriranira mu Burundi. Twaraseseranije ibikwiye. Ntitubigire ubutwari. Ngo tuje mu yindi nzira. Tuze turashima n'ibito, wubakirako bikavyara binini.

Ico dusaba abo twatira nabo! Ni uko boba, imbere y'ibindi, abantu buzuye ubuntu n'ibanga, bakagendera ukuri nubutungane. Bakamenyera kugorora batavunye kuko igihugu cabaye goyi goyi. Abantu barabaye nkomwa hato. Barabura aho bafatwa nkumwana ahiye mu kwaha.

Namwe mwese muje gushigikira intahe, turabasavye mubifate nkama ; muze, dufashanye tunagure intahe.

Tuzovyitondera. Tuze turabaza abanyagihugu ico biyumvira kuri uyu mugambi, baze baraduterera ivyiyumviro, kuko umushingantahe akeneye kugira ibanga abantu bazoguma biyumvamwo, no mu majambere y'ubu, gushika na ntaryo na rindi. Ushaka kwatirwa wese, ashire imbere kuba Ntamakemwa, yuzurize abantu, na we afise ubuntu bw'umwuzurira.

Ubu lero, aba tugira twatire, bagira bemere gushingwa abandi, batabihemberwa kandi batabitumwe n'intwaro. Hari abibaza ko intwaro yoba ari yo idutuma tugira ibi vyose. Nagira mvuge icese, imbere y'Imana n'abantu, bene umurango babona, ko tubitumwa n'ibanga duhabwa n'intahe, yo nyene gusa. Ni ko umushingantahe, kuva na kera na rindi, yamye akorana n'intwaro. Akayihanura. Abategetsi babaye nabi, abashîngantahe bagasaba mbere, ko bokomborwa. N'ubu tuzokorana n'abategetsi muri iyo nzira, izira kuvangatiranya amabanga n'amabango.

Nciye mboneraho kugira ngo ntomore imigenderanire ibanga ry'abashingantahe rifitaniye n'ayandi mabanga canke n'iyindi mirimo. Ubwa mbere igikorwa umuntu

akora, ico ari cose, ni ibango. Conyene ntikiba ibanga. Riba ibanga abishizemwo umutima wose. Aha lero ibanga ry'abashingantahe ryobimufashamwo rwose. Jewe ndabona ikintu kinini ukuba umushingantahe vyunguye ubusaserdoti bwanje ndetse. None lero abifuza kugira iyo ntambwe y'ibanga, ribumba ibango, barakaza.

Namwe bapfasoni, mumenye ko iri banga ribega, hamwe n'abashingantahe mubana. Abari bonyene na bo, mu gutunganya urugo rwabo, babe abashigikirantahe. Mubangukire intahe. Tubazeyeko vyinshi.

Rwaruka namwe, kerebukira intahe cane cane mwebwe. Tuzamure igihugu cacu. Akaga, twebwe tubakurira twabashizemwo, kikuremwo mu kugendera ubushingantahe kare. Mukiri bato, mube abaganantahe. Hanyuma mube ababerantahe. Hanyuma imboneza z'urwaruka. Ejo « mwatirwe mwaranongoreye rwose. Muri amatsimba, atsimbataye rwose kw'ibanga ry'abashingantahe.

Dufashe, abakuze n'abato, tunagure intahe. Tuyiceko, tunagure igihugu cacu c'amavukiro. Ejo wosanga uyu mugambi, w'ugahuza amajambere n'imico kama, ufashije n'ibindi bihugu.

Ubu lero twagira twatire aba basasirantahe, babe abashingantahe. Ndabahaye ikaze, banyakugira Imana, kandi mukayikundira. Muze mugendere iri banga.

Intahe ni ingabirano y'imbonekarimwe Imana yahaye Uburundi. Tuyikundiye, yosubiza itoto igihugu.

Vyandikiwe i Bujumbura, ku wa 31 Myandagaro 2002

Padiri Adriano NTABONA

Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe.

Résumé: Message du président du Conseil national des Bashingantahe présenté à l'occasion de l'investiture des Bashingantahe en mairie de Bujumbura

Après avoir rappelé le rôle joué par ces hommes dans l'histoire du Burundi, le président du Conseil national des Bashingatahe a passé en revue des actions déjà menées dans le cadre de la réhabilitation de cette institution. Il a mis en relief le comportement qui doit caractériser tout mushingantahe et invité la jeunesse à adhérer à cette instiitution. Il a émis le vœu de voir les bashingantahe contribuer au redressement du Burundi

Mots-clés : Burundi, communauté internationale, ONG, droit, élections, femme, justice